# Luanda: M23 yategetswe guhagarika intambara kuva ejo ku wa gatanu kandi igasubira inyuma

https://www.bbc.com/

**24/11/2022**



AHAVUYE ISANAMU

Perezida João Manuel Lourenço wa Angola yahamagaje abakuru b'ibihugu vy'akarere kugira ngo bige ingene intambara yohagarara mu buseruko bwa Congo

Umuhari w'inyeshamba utegerezwa guhagarika intambara wongere uve mu turere wigaruriye, iyo ni imwe mu ngingo zikomeye zafashwe n'abakuru b'ibihugu bari bakoraniye mu nama ejo ku wa gatatu i Luanda muri Angola.
Barerekanye impungenge ku kungene M23 ibandanya ironka ibirwanisho bihanitse n'ubundi buryo buyituma ikora ibitero ku ngabo za Congo, hamwe n'uko imirwi yitwaje ibirwanisho ibandanya ikiyogoza mu buseruko bwa Congo "bikaba bibangamiye amahoro n'umutekano mu karere kose".

Haraciye amezi intambara ari urutavanako mu buseruko bwa Congo hagati y'ingabo za reta, FARDC n'umuhari M23, ukaba umaze kwigarurira uturere tutari duke dukikuje umugwa mukuru w'intara ya Kivu ya Ruguru, Goma.
Muri iyo nama, aba bategetsi b'ibihugu vy'akarere bemeje ko mu gihe M23 itokurikiza ivyo bayitegeka bazoca basaba ingabo z'akarere ko zikoresha inguvu.
BBC yageragеje kuvugisha abavugizi ba M23 kuri iyi myanzuro ya Luanda, ariko ntibirashoboka gushika ubu.
Uyu muhari w'inyeshamba wagirizwa ko ushigikiwe n'Urwanda ariko ukabihakana, co kimwe nyene na reta y'Urwanda.
Ibiro bishinzwe Africa mu bunyamabanga bw'imigenderanire bwa Amerika bimenyesha ko bishyigikiye inama ya Luanda, kandi ko kugira ngo amahoro agaruke mu buseruko bwa Congo, bisaba ko :
**"M23 ihagarika intambara, Urwanda ruhagarika gufasha M23**, impande zose zikareka amajambo y'urwanko zikubahiriza ivyo ziyemeje ku mahoro n'ugusubiza hamwe".

Kuri uyu wa 23 Munyonyo (11), Perezida João Manuel Lourenço wa Angola yahamagaje abakuru b'ibihugu vy'akarere kugira ngo bige ikirangamisi c'ibikorwa vyihuta mu ntumbero yo guhagarika intambara no kuva mu turere M23 yigaruriye idatevye, be no kwiga ingene umugambi w'amahoro wa Nairobi na Luanda woshirwa mu ngiro.

Abakuru b'ibihugu bitavye iyo nama, aribo **Perezida Evariste Ndayishimiye** w'Uburundi akaba n'umukuru w'Umuryango wa Afrika y'Ubuseruko, **Felix Tshisekedi** wa Repubulika y'Intwaro Rusangi ya Congo, umushikiranganji **Vincent Biruta** yaserukiye Perezida Paul Kagame w'Urwanda, hamwe na **Uhuru Kenyatta** yagenywe n'Umuryango wa Afrika y'Ubuseruko (EAC) kugira ngo ahagararire ibi biganiro, bibanze ku kungene umutekano uhagaze mu buseruko bwa Congo, aho babonye ko ibintu bitameze neza.
Zimwe mu ngingo zafashwe mu ntumbero yo guhagarika intambara muri ako karere, harimwo ko umuhari M23 utegerezwa guhagarika ibitero ku ngabo za Congo na MONUSCO **kuva isaha cumi na zibiri z'umugoroba zo ku wa 25 Munyonyo (11),** ni ukuvuga ejo ku wa gatanu.

M23 itegekwa gukurikiza ata guhigimanga ivyashitsweko n'abakuru b'ibihugu ba EAC i Nairobi na Luanda, be n'abakuru ba gisirikare b'ibihugu vya EAC mu nama yabo yabereye i Bujumbura ku wa 08 Munyonyo.
Bemeje kandi ko uyu muhari utegekwa gusubira ku birindiro vyawo vy'imbere y'intambara.
**"Mu gihe M23 wogambarara ntuve mu turere twose ugenzura muri kino gihe, abakuru b'ibihugu ba EAC bazoca bategeka ingabo z'akarere gukoresha inguvu kugira ngo zishikane", niko itangazo baraye basohoye rivuga**.

Amasezerano ya Nairobi ategekanya ko **ingabo za Kenya** zizorungikwa mu gisagara ca **Goma**, be no mu turere twa **Bunagana, Rutshuru na Kiwanja** twigaruriwe na M23.
Aba bakuru b'ibihugu bemeje kandi ko **kizira gusubira gufasha umuhari M23** n'iyindi mihari yose y'inyeshamba yaba iyo muri Congo canke mvamahanga, haba mu buryo bwa gisirikare canke bwa poritike.
Bategeka imihari **FDLR-FOCA, RED-TABARA, ADF** n'iyindi mirwi yitwaje ibirwanisho ikorera ku butaka bwa Congo **gushira ibirwanisho hasi idatevye kandi igasubira mu bihugu vyayo ataco irinze gusaba**, nk'uko biri mu masezerano ya Nairobi.
Basaba kandi ko hoba ibiganiro hagati ya Congo n'Urwanda mu ntumbero yo kunagura imigenderanire hagati yavyo.